Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°826 01 Munyonyo 2024

# Ku ncuro ya 61, iseminari nkuru y'i Bujumbura yaruguruye umwaka w'ivyigwa



Bishimikije icivugo ngo "Umw'umwe wese arahabwa ingabirano na mutima kugira agire akamaro", abarerwa b'iseminari nkuru y'i Bujumbura yitiririwe Yohani Mariya Vianney w'i Arc mweranda, baruguruririwe umwaka w'ivyigwa wa 2024 ushira umwaka wa 2025 ku ncuro ya 61 kuva iyo seminari ivutse.

Hari ku wa 26 Gitugutu 2024, aho ivyo birori vyatanguwe n'igisabisho c'inkuka y'imisa, cari kirongowe n'umunyamabanga

Soma ku Rup. 4

*Abakozi ba Ndongozi*

Uwujejwe uruganda:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

Abamenyeshamakuru:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Uwujejwe ubuhinga:
* *Chanel HARINGANJI*

Umunyamabanga:
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Umunyabigega:
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

Uwujejwe imigenderanire:
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

# Inama nsangizagendo y'Abepisikopi yaraye irangiye



Soma ku Rup. 12

## Ibirimwo

o "Ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe, ni inkingi ntabanduka z'amahoro n'iterambere rirama ry'abantu"....5
o Itunganywa ry'ibibanza vy'iyandikiro mu ntara zigize Uburundi, mu ntumbero y'amatora ya 2025....8
o Uburenganzira bwo gucirirwa urubanza mu gihe gitoyi....10
o Inama nsangizagendo y'Abepisikopi yaraye irangiye....12

# Idominika ya mirongo 31: *Umwaka B*

## Igisomwa ca mbere: *Amategeko : 6, 2- 6*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Amategeko:

*(Urakunda Umukama n'umutima wawe wose)*

Ng'ibi ivyo Musa yabariye ishengero ry'Abanyisraeli: Urubaha Umukama Imana yawe iminsi yose uzomara kw'isi, urakurikiza amategeko n'amabwirizwa yiwe yose ndaguhaye uyu munsi. Niho uzoramba, wewe, n'abana n'abuzukuru bawe. None rero Israeli, urama uteze ugutwi, ushire mu muzirikanyi ico kizokuzanira ubuhirwe, ukarondoka mu gihugu gitemba amata n'ubuki, nk'uko Umukama Imana ya basokuruza yabikwemereye. umviriza, Israyeli we: Umukama Imana yawe ni we musa ari Imana. Urakunda rero Umukama Imana yawe, n'umushaha wawe wose, n'umutima wawe wose; n'amagara yawe yose. Ayo majambo nkubariye uyu munsi, ntakigere akuva mu muzirikanyi.

## Igisomwa ca kabiri: *Abahebereyi 7,23 - 28*

Ivyo dusoma mw'ikete ryandikiwe Abahebreyi:

*(Kristu ni Umusaserdoti w'Intashinguka)*

Ncuti zanje:
Mw'isezerano rya mbere, abasaserdoti benshi bagiye barakurikirana kuko urupfu rwababuza kwamaho. Ariko Yezu ko yamaho imyaka yose, arafise ubusaserdoti butayegayega. Niho ashobora gukiza rimwe rizima abamwisunga bêgëra Imana, kuko We yama ari muzima ngo ababere mu ngoro.

Ng'uwo rero  Umussaserdoti mukuru twari dukeneye: ni mweranda, ni muziracaha, azira agatosi, ntaco bisana n'abononyi kandi ari hejuru y'ab'ijuru bose. Ntakeneye nk'abandi basaserdoti guhereza inkuka iminsi yose, ubwa mbere kubw'ibicumuro vyiwe, hanyuma naho kubw'ibicumuro vy'igihugu, kuko ivyo yabigize rimwe rizima mu kwitanga wenyene.

Mw'ibwirizwa rya Musa, abahora bagerwa kuba abasaserdoti ni abantu bagoyagoya. Ariko hanyuma, aho Imana ivyemereye igashirako n'indahiro, Umwana wayo yaragenywekuzokwama ari intungane ishitse.

## Inkuru nziza *: Mariko : 12,28 - 34*


**Alleluya! Alleluya!**

*- Umukama yavuze ati : « Uwunkunda azozigama ijambo ryanje ; na Data azomukunda, duheze tuze iwe »*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Mariko :

*(Urakunda Umukama Imana yawe, urakunda mugenzawe)*



Umunsi umwe, haraje umwanditsi kwa Yezu, amubaza ati : « Ibwirizwa rya mbere mu mabwirizwa yose ni irihe?" Yezu aramwishura ati: "Irya mbere ni iri: Tega amatwi Israeli: Umukama Imana yacu ni we musa Mukama. Urakunda rero Umukama Imana yawe, n'umushaha wawe wose, n'umutima wawe wose; n'ubwenge bwawe bwose, n'amagara yawe yose. Irya kabiri ni iri: Urakunda mugenzawe nkuko wikunda wewe nyene. Nta rindi bwirizwa risumba ayo."

Wa mwanditsi amubwira ati: "Niko, Mwigisha, uvuze ukuri kwamye, yuko Imana ari imwe nsa kandi ko ata yindi iriho Atari Yo nyene. Kuyikunda n'umushaha wose, n'ubwenge bwose, n'amagara yose, kandi gukunda umugenzi nkuko wikunda, birarengeye na kure imbagwa zose n'imperezwa zose."

Yezu ngo yumve yishuranye uburyo, amubwira ati: "Nturi kure y'ubwami bw'Imana." Ntawabaye acubahuka kugira ico amubajije.

Ibik. urup.4

# Tuzirikane ijambo ry'Imana

Bavukanyi muri Kristu, ibisomwa vyeranda vy'uyu musi w'Imana wa 30, bitwibutsa ibwirizwa rikuru risumba ayandi yose: «Gukunda Imana no gukunda umugenzi» (Mariko 12,28 - 34). Bikadutumirira kuzirikana Urukundo. Twaramenyeshejwe ko Imana ari Rukundo, none urukundo ni rwo twaronseko ibwirizwa.

"***Mwigisha, mw'itegeko, ibwirizwa rikuru ni irihe***?"

Uyu muhinga w'amategeko aje atumbereye Yezu mu kubaza ikibazo afitiye inyishu : hamwe ukamenga agomba kumugeza, ariko kumbure harimwo n'ugushaka kumenya ibwirizwa rimwe rimwe agaciro rifise.

Kuko nk'umunyamategeko kasisa, yari yarabinonosoye mu Bitabu Vyeranda (Raba Amategeko 6, 5 na Bene Levi 19, 18). Ashatse kwigira nk'uwazazaniwe, uwarengewe n'ubwinshi bw'amategeko kuko Abanyisrayeli bari bafise amategeko ashika 613.

Muri ayo, harimwo amategeko 365 avuga imiziro (les interdictions) n'ayandi mategeko 248 yabahamagarira ivyo gukora (actes à faire). Kubera ubwo bwinshi, vyaratuma barondera kuyapfunyapfunyiriza mw'itegeko rimwe rikuru ryoroha gufata ku mutwe.

Ashaka kumugeza kuko inyishu arayizi, kandi mbere no mu bafarizayo bari kumwe hoba hariho n'abari bayambaye ku ruhanga kuko Abafarizayo kasisa barambara iryo tegeko rikuru ku ruhanga no ku biganza (Raba Amategeko 6, 8 canke Amategeko 11, 18).

Bakaryambara kugira ngo biyerekane, babonwe ko ari bo bayazi kandi batari buyakurikize…… Ingeso y'ubwishime…. Yezu ati : Ivyo bababwira vyose murabiurikize ariko ntimubigane mu vyo bakora…

***None ni kubera iki ashaka kumugeza?***

Ashaka kwumva ko Yezu, bari basanzwe bita Mwigisha, azi inyandiko nyeranda n'amategeko ya Musa.

Yezu, kuko yafatwa gusa nk'umuhungu w'umubaji (wa Yozefu), bari bazi ko ataronse akaryo ko kwiga mu mashure y'abigisha b'Abayuda (les rabbins) ngo yigishwe vyimbitse Inyandiko Nyeranda.

Kumbure iyo Yezu kimunanira kwishura, uwo muhinga w'amategeko, yari kumutyekeza, akamumaramaza imbere y'ishengero yariko yigisha.

Tweho ubwo ntaho dutega imitego abandi tugamije kubamaramaza?

Mu kwishura uyo munyamategeko, Yezu ahereye kure mu Bwuzure bwa kera. Ivyo twumvise mu gitabu c'Amategeko. Naho hari iri bwirizwa rivuga riti: «Urakunda Umukama Imana yawe n'umutima wawe wose, n'umushaha wawe wose, n'ubwenge bwawe bwose». Ngo kandi niryo risuba ayandi yose, niryo rya mbere kuko ryerekeye imigenderanire hagati y'umuntu n'Imana.

Maze Yezu aca arongerako ati: « Urakunda mugenzawe nk'uko wikunda wewe nyene ». Rikerekana imigenderanire hagati y'umuntu na mugenziwe. Ng'aha igihambaye ni ugukunda, ni urukundo.

*Ncuti zanje, gukunda Imana na mugenzawe:*

- Ni ryo tegeko risumba ayandi yose. Ni ryo ntimatima ry'ayandi mabwirizwa, amategeko n'ingi-ngo zose vyo mu Bwuzure bwa Kera.

- Ni ryo rutare ruyakomeza kandi rukayaha intumbero kuko amategeko yose adukura ku rukundo rw'Imana n'abantu yoba ashaka kutuzimiza no kuduta mu manga. Nta buhirwe b'ubu n'ubuzoza yoba adushakira.

- Ugukurikiza amategeko vy'ukuri nta handi bidushikana atari gukomeza ubunywanyi dufitaniye n'Imana no gukomeza urukundo hagati yacu.

Bavukanyi, naho Yezu yarivuze akoresheje amungane abiri, ni itegeko rimwe rinywanye ku buryo utorirangura igice kimwe ngo ureke ikindi.

Twibukanye ko mu gihe ca none hariho abantu bashaka kuja ku ruhande rw'Imana gusa bakibagira abantu, abandi nabo bagashaka gufasha no kugirira neza abantu ariko batemera Imana. Ntawovuga ngo « Ndakunda Imana adakunda mwenewabo, yoba ari Umubeshi » (1 Yohani 4, 20). Kwoba ari uguhuba kuko ugukunda Imana bitegerezwa kubonekera no kurangukira mu gukunda benewacu.

Ogustino mweranda we agira ati: «Girira neza mugenzawe uzoheza ushikire Imana». Ahandi naho akavuga : « Kunda hanyuma uheze ukore ico ushaka ». Mu yandi majambo agira ati: «Korera Imana mu kugirira neza abantu; kunda Imana mu gukunda mugenzawe».

***None umugenzi ni nde?***

Umugenzi, nk'uko iri bwirizwa ribivuga ni uyo muntu wese ari hafi yawe, haba imuhira, ku kazi, ku rugendo; uwuri mu kaga, eka novuga nti urya wese akeneye intabaro yawe, yaba uwo uzi canke utari umuzi.

Ese natwe twozigama iri Jambo ry'Imana twumvise uyu musi kugira dushobore kubera akarorero keza abandi mu mihana iwacu n'aho duca hose. Icivugo ca Diyoseze ya Bujumbura kiti: « Dukomeze Ekleziya muryango: mu gukomeza ubumwe n'urukundo no musangira neza ivyo Imana iduha».

Kuri uyu w'Imana wanyuma w'uku kwezi kwahariwe kumenyesha Inkuru Nziza, kukaba ukwezi kw'Irozari, nimuze twisabire inema yo gukomera mu rukundo rw'Imana n'abantu (kuko ari urwo rukundo rutuma n'abamissionari baheba ubuzima bwabo kubw'Inkuru Nziza no kubwa benewabo) kugira dukwiragize Inkuru Nziza hose biciye mu ngiro n'ingendo nziza zacu.

Bikira Mariya, we Mukandizi w'abakristu, ni adusabire.

Amen!

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Ku ncuro ya 61, iseminari nkuru y'i Bujumbura yaruguruye umwaka w'ivyigwa

*(Bitangurira ku rup.1*

w'inama y'abepiskopi gatorika y'i Burundi.

Mw'ijambo ryashikirijwe na patiri KIZITO Fulgence Nshimirimana arongoye



Foto: Chanel HARINGANJI

iyo seminari, yarakengurukiye cane abo basangiye ibikorwa ku mwete n'ubwira berekana mu kurera urwo rwaruka, yongera abatera intege ngo bakomeze ubwo butumwa mu ntumbero yo kuramurira Ekleziya abashingantahe bijunja n'ijambo.

Yarasavye kandi umunyamabanga ntayegayezwa yari yaje nk'intumwa y'umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi, ko hoba ukunganisha kw'impamya bushobozi zihabwa abahejeje iyo seminari nk'abahejeje kaminuza.

Yaboneyeho kumenyesha abari ngaho ko batanguye uwo mwaka w'ivyigwa bafise bimwe mu bihanze iyo siminari bishobora kubabera intambamyi mu bikorwa vy'uburezi bajejwe. Ivyo navyo bikaba ari ubukene muri rusangi hamwe n'uruzi Muha ruca inyuma y'iyo seminari, uko hageze igihe c'imvura rwama rubomora inkombe rwegera iyo seminari, ivyo bigatuma hanagabanuka isi ndimwa yarihasanzwe.

Yarangije akengurukira cane abagenzi b'iyo seminari, bo bama bita ku rutare mukuyisahiriza ivyo bashoboye, kugira iyo seminari ibandanye igira ubuzima. Ivyo yabivuze afatiye kukungene bahe-rutse gusikura agasengero kayo mukugashiramwo plafond.

Patiri Christian Nzinahora umunyamabanga mukuru w'inama y'Abepiskopi gatorika y'i Burundi,



Foto: Chanel HARINGANJI

yari yaje nk'intumwa y'u-



Foto: Chanel HARINGANJI

mwungere wa diyoseze nkuru ya Bujumbura, yasavye abaraho bose ati: "Nk'abigishwa ba Yezu ya-tsinze urupfu, duhama-riwe kuba ikimenyetso c'umwizero mu kibano cacu, aho abantu batari bake bagendera mu mwijima w'ubuhemu n'umwizero".

Yaribukije abaseminari ko bokoresha uwo mwanya kugira bashobore kwakira no kuzigama ivyiza vy'umutima baharonkera ari navyo bishobora kuzobabera impamba ibafasha mu buzima bw'ubusaserdoti.

Yarabibukije kandi ko aribo mwizero w'Ekleziya n'Uburundi, ko rero na ntaryo bokwitwararika kuba abantu babushitse. Yabasavye ko imisi yose bokwama bimika Yezu mu bikorwa vyabo vya misi yose, na cane cane mu gisabisho, kuko ubutumwa bwabo muri kazoza buzoba bishimikiye cane kuri Kristu.

Yaboneyeho no kumenyesha abarezi ko abungere b'Ekleziya bahimbaririwe cane igikorwa kidasanzwe bafise, kandi ko bashinzwe n'ubutumwa budasanzwe bwo kurera abagana ibanga ry'ubusaserdoti. Batahure rero ko kazoza ka Ekleziya kari mu biganza vyabo.

Tworangiza tubibutsa ko uyu mwaka iyo seminari ifise abarerwa 185 bose hamwe, muri abo harimwo 131 barungitswe n'amadiyoseze 8 agize Ekleziya y'Uburundi hamwe na 54 barungitswe n'imiryango y'abapatiri b'abamisiyonari kugira bashobore kwiga ivyigwa mbagarabwonko.

***Chanel HARINGANJI***

# Yubile y'imyaka 25 y'umurwi w'abanaguwe muri Mutima Mweranda mu Ngagara



Foto: Chanel HARINGANJI

Ku wa 27 Gitugutu 2024, umurwi w'abanaguwe muri Mutima Mweranda urangurira ubutumwa muri paruwase Ngagara, warahimbaje yubile y'imyaka 25 irangiye uwo murwi uri kukivi co gusamiriza hose ivyiza vya Mutima Mweranda.

Ivyo birori vyatanguwe n'Inkuka y'Imisa yatanguye isaha zitanu irongowe na musenyeri Anatoli Ruberinyange icegera c'umwungere wa diyoseze nkuru ya Bujumbura.

***Biracaza***

***Chanel HARINGANJI***

*Ibik. urup.12*

# "Ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe, ni inkingi ntabanduka z'amahoro n'iterambere rirama ry'abantu"

Ico kiganiro cashikirijwe na Musenyeri Simoni NTAMWANA, Umukurambere, hamwe n'umudiyakoni Gabino NDAYISENGA. Inyuma y'intangamarara yinjiza abari aho mu vyo bagira ngo bayagirwe, Musenyeri NTAMWANA yaciye yigisha ingene umuntu ari magiriranire yongera arerekana ko kuri twebwe abantu ubumwe n'umuvukano bikunda kwononekara n'ingoga ari naco gituma bahamagariwe kwama bisunga ijambo ry'Imana.

Ubwo bumwe, Musenyeri yarerekanye ko bushobora gukomezwa na kagatima keza ko kurekuriranira no gusubiza hamwe. Yagize ati:"Ukurekuriranira na ugusubiza hamwe ni umusabiko uvura amacakubiri n'indwano." Yagiriyeko mbere ahamagarira urwaruka rwose kwinjira muri iyo ntumbero yo kurekuriranira no gusubiza hamwe kuko ari zo nkingi ntabanduka, kandi ntasubirizwa z'amahoro n'iterambere rirama mu bantu.

Ukurekuriranira no gusubiza hamwe

Mu kutwibutsa ko twese tuvukana yarishimikije rya jambo dusanga mu nkuru nziza ya Matayo « Mwese muvukana mwese » (Matayo 23, 8). Ni naco gituma tubwirizwa kwengengana, tukarekuriranira. Kandi uko kurekuriranira yababwiye ko atari ukwiyibagiza ico twakoze kizana icuka kibi mu kibano ca misi yose ; atari ugufuririrayo, kugira ngo tuze tuzure akaboze, ari na ko kazana ubugizi bwa nabi bukwiragiye isi n'abayo.

Yongera ati: « Ukurekuriranira ni uguhindura umutima wacu, ahari hicaye ububabare bwa nyene kugirirwa nabi, haze umukando utuma ca kibi yagirirwa gihinduka ntikibe kikimubabaza; na nje nagikoze ngahinduka, nkigaya, kugirango nje gusaba ikigongwe, ari ryo rindi zina ry'urukundo muri kirya gihe ndiko ndasaba ko ndekurirwa".

Ugusubiza hamwe nakwo ni kwo kugaruka kukaturema tukaba abandi bantu, tugashobora mbere gusubira gusangira urugendo rw'ubuzima n'ababanyi, kuko basubiriye kuba benewacu vy'ukuri. Ugusubiza hamwe n'ukurekuriranira biba rero inkingi zitabanduka z'ubuzima busangiwe, kugira ngo bene kubigira basubire mu bumwe bubunga kandi bubafasha guhuza imitima na amaboko.

***Nta muntu n'umwe yikwiye***

Abantu ni magirirane ntan'umwe yikwiye. Musenyeri Ntamwana ati:" Naho noba ntunze ibingana iki, nzokwama nkeneye abandi; nzokwama na nje mfitiye akamaro abo tubana, kuko nyene Umuremyi wacu yadushatse muri iryo sangiramutima, riheza rikadushikana mw'isangirangendo, tumaze imisi turiko turiga mu Muryango w'Ekleziya. Duhora tuvyibonako : «Ukuboko kumwe ntikwiyaga. »

Mbere nta n'igihugu cigera gitera imbere kidakorewe n'abana baco bose, bavuye mu migwi yabo yose, mu mashirahamwe yabo yose, no mu migambwe yabo yose iri mu gihugu.

Na barya bashamiraniye, na cane cane abo nyene, ni bo bakeneye ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe, inyuma y'umuryano ushobora kuba waraturiye igihugu muri kahise kabo, kugira ngo basangire inama n'ingingo y'ingene botezanya imbere.

Mu gutahuza abari aho ko abantu dukeneraniye yaciye yitiza inyigisho ya Antoni Saint- Exupéry, avuga ati : « Umuntu ni magiririrane, ni ipfundo rigizwe na imigenderanire hagati yiwe n'abandi bantu ».

Michel KAYOYA nawe ati : « Sinshobora kwihambirira ku vyiyumviro n' ivyipfuzo vyanje gusa, ntaciye ntera iseseme abo turi kumwe, ntaciye ndabatera iseseme ribadaha mu buzima bwabo, bakagorwa kubera ico. Sinshobora kwikwegerako twose, nciye ku vyo nibwira ko ndabifitiye uburenganzira, ngo mpeze ndeke kugora abandi bantu, kandi nari nzi neza ko umutima wanje ari bo ucambirwa. Sinshobora kwiyugaranira jenyene muri birya nishingira ukwanje, ntaciye nzana mu bandi bantu agatima ko kwankiriza ivyo niyumviriye, urwanko n'inzigo imbere yavyo, gushika naho ubwo bubisha bwuzura muri abo bantu, urwanko n' inzigo mu mutima w'umuntu, ngico ikintu kirusha vyose ububi.

Afatiye aho nyene Musenyeri Simoni yabariye urwaruka ko twebwe abarundi tuzobana neza ata murundi n'umwe agisunikiwe ukwiwe, ngo yibane mu kangaratete, ari we nyene, haba aha mu Burundi nyene aho azoba yaciye akantu kameze nk'icari ciwe, haba mu mahanga aho yoba yarahungiye.

Aho hose witoraguza ngo uje ukwawe, umutima urakwanka mu nda, ugatangura gushira amabariyeri na « agents de sécurité » imbere y'irembo. Abandi bantu barabinegura, mbere na bo bagaca batangura ku kwigana. Yarabandanije ati : « Nka vya bindi vya « Red –Tabara » bivugwa muri iyi misi, uko kuja mw'ishamba ngo utere igihugu cakuvyaye, vyatewe n'uko Uburundi bushaka kwiyugaranira mu kazu kabwo kitwa ko gakingiwe n'intwaramiheto zabwo. Ivyo muravyumva ko bidashobora kuduha inyishu y'amahoro dushonje.

***Biracaza***
*Patiri Léonidas Ntakarutimana*
*Diyoseze Ruyigi*

# Isangiramutima, isoko rikomeza ubutumwa, rigashikana ku majambere atarota *(Ibikurikira)*




*Musenyeri Simoni Ntamwana yahoze arongoye diyoseze nkuru ya Gitega, ariko arashikiriza inyigisho abari baserukiye ishirahamwe Mukama Menyekana*

Kwemera igikorwa gushika naho nkura mu nzira ibindi vyari kungirira akamaro kazwi, ariko ngashima kuza kwigura ico numva mu mutima, kikampuza n'abandi nka nje, ni ukuvuga abandi bemera ico baje gukora, na uwo baje gukenurira.

Ukwo kwemera kuraheza kukangabira umwete udasanzwe, nkuko tubibona ku bantu bitwaje iryo sôko riheza rikababera akaryo keza ko guserura ishaka ryabo. Uwo mwete si uwundi, ni urukundo rumperekeza kuva mu ntango, gushika ku mpera.

N'ukuruha ari ukuruha, ntibintera ubwoba, ari igikorwa nashize mu ndiba y'umutima wanje, nka Paulo Mweranda, ariko aravuga ubutumwa bwiwe, ati: „Erega ninaba menyesha Inkuru nziza, ntivyotuma nishima.

Nkako, ni igikorwa ngombwa ntegerejwe. Noba ndarwiciriye ntamenyesheje Inkuru nziza" (1 Abanyakorenti 9, 16).




Igikorwa cose gifatiye mu kwemera kwanje nticigera kirambirana, canke ngo kiruhishe. Cama gitera akanyamuneza, na ko kakadushikura, tukagenda kukirangura tunezerewe. Naravyiboneyeko mu gihe ca Republika ya II.

Isangiramutima twari tumaze amezi turizikana muri Ekleziya, kuva aho Umuvyeyi wacu Papa Fransisko aduhamagarariye kuba «abasangirangendo», bivuye ku gushaka gusangira umutima muri vyose.

Birababaje kubona Ama Ekleziya amwe amwe yashatse gushira imbere utuntu bahora bahurirako, nko ukugabura ubutegetsi, kuraba ingene abakristu bongana, bahereye ku gitsina cabo, kandi bagahamagarirwa bimwe, nkuko uburyo bwariho ubu bwononera kanaka, canke kanaka wundi.

Iryo sangiramutima ryacu turiko turarondera nirifatira kuri Kristu, rikabakurwa na Mutima wiwe, rikaninahaza Dawe wa twese, nk'-uko Paulo Mweranda abitwigisha hamwe na Abanyakorenti: «Ni ko hariho ubwoko bwinshi bw'ingabirano, mugabo Mutima akaba umwe; hariho ubwoko bwinshi bw'imirimo, mugabo Umukama akaba umwe; hari ubwoko bwinshi bw'ibikorwa, mugabo Imana ikaba imwe, yo ikora vyose muri bose" (1 Abanyakorenti 12, 4-7).

Ukwemera kwacu kuraheza kukadufasha gukunda bimwe, ibiduhuriza kwa Data, ariko twazananye inzira yaciwe na Mutima Mweranda, nkuko tubibonana Kristu we nyene ubwiwe. Noneho ni we Mutwe, na twe tukaba ingingo z'umubiri abereye umutwe.

Turi umuryango w'urunani, we nyene abereye imfura. Ni ho rero isangiramutima twipfuza ata rindi, atari irifatira kuri Kristu we nyene ubwiwe„. Nk'uko umubiri ari umwe ukagira ingingo nyinshi, na zo ingingo zose zikagira umubiri umwe n'aho ari nyinshi, ni kwo Kristu ameze na we" (1 Abanyakorenti 12, 12).

Noneho isangiramutima rikomeye ryishimikiza igisabisho cuzuye urukundo ruduhekera mu ngovyi yarwo. Ico gisabisho nipfuza ko two-shigikiza iri shirahamwe ryacu ni kirya kidufatanya imisi yose n'Imana. Ni yo ihindukira ikatugumiza mu bumwe bwayo, cane cane twebwe tuba turiko turayimenyesha abandi.

Uguhurira ku bikorwa bimwe, mu gihe kimwe, birashobora kutwunganira, ariko ikiruta ibindi ni igisabisho tuba turiko turahereza Umuvyeyi wa twese. Vyoba vyiza, tugihuriyeko, ku gihe kimwe, mbere tugakoresha amajambo yegeranye, nk' I gisabisho c'Amashemezo y'Ekleziya.

***Biracaza***

***Chanel HARINGANJI***

# ITUNGANYWA RY'IBIBANZA VY'IYANDIKIRO MU NTARA ZIGIZE UBURUNDI, MU NTUMBERO Y'AMATORA YA 2025

Umukuru w'Umugwi wigenga ujejwe gutunganya amatora (CENI), Prosper Ntahogwamiye yaraye ashikirije itororokanyirizo y'ibibanza mu gihugu cose ngo bizoberamwo iyandikwa ry'amatora n'abazotora mu mwaka w'2025. Yaramenyesheje kandi ko imitumba n'amakartiye bigize igihugu cacu bifise inyubakwa n'ibibanza bishobora kuberamwo amatora. Ivyo bibanza na vyo bigizwe n'amashure n'izindi nyubakwa ni ibi bikurikira:

## Ibibanza n'ibiro vy'iyandikiro mu ntara yagutse ya BUHUMUZA

| N° | KOMINE | IGITIGIRI C'IMITUMBA/AMAKARTIYE. | IGITIGIRI C'IBIBANZA VY'IYANDIKIRO ( CI) | IGITIGIRI C'ABAZOKWANDIKA MU BIBANZA VY'IYANDIKIRO (UI) |
|---|---|---|---|---|
| 1 | BUTAGANZWA | 45 | 50 | 126 |
| 2 | BUTIHINDA | 96 | 108 | 538 |
| 3 | CANKUZO | 37 | 57 | 176 |
| 4 | GISAGARA | 58 | 87 | 306 |
| 5 | GISURU | 84 | 110 | 360 |
| 6 | MUYINGA | 135 | 140 | 561 |
| 7 | RUYIGI | 54 | 66 | 231 |
| | TOTAL | 509 | 618 | 2 298 |

## Ibibanza n'ibiro vy'iyandikiro mu ntara yagutse ya BUJUMBURA

| N° | KOMINE | IGITIGIRI C'IMITUMBA/ AMAKARTIYE | IGITIGIRI C'IBIBANZA VY'IYANDIKIRO ( CI) | IGITIGIRI C'ABAZOKWANDIKA MU BIBANZA VY'IYANDIKIRO (UI) |
|---|---|---|---|---|
| 1 | BUBANZA | 51 | 61 | 297 |
| 2 | BUKINANYANA | 51 | 135 | 371 |
| 3 | CIBITOKE | 37 | 57 | 274 |
| 4 | ISARE | 42 | 70 | 210 |
| 5 | MPANDA | 47 | 100 | 391 |
| 6 | MUGERE | 61 | 116 | 583 |
| 7 | MUGINA | 46 | 89 | 272 |
| 8 | MUHUTA | 39 | 66 | 171 |
| 9 | MUKAZA | 23 | 58 | 351 |
| 10 | NTAHANGWA | 96 | 151 | 1003 |
| 11 | RWIBAGA | 42 | 58 | 175 |
| | TOTAL | 374 | 961 | 4 098 |

Ibikur. urup. 8

# ITUNGANYWA RY'IBIBANZA VY'IYANDIKIRO MU NTARA ZIGIZE UBURUNDI, MU NTUMBERO Y'AMATORA YA 2025

## Ibibanza n'ibiro vy'iyandikiro mu ntara yagutse ya BURUNGA

| N° | KOMINE | IGITIGIRI C'IMITUMBA/ AMAKARTIYE | IGITIGIRI C'IBIBANZA VY'IYANDIKIRO (CI) | IGITIGIRI C'ABAZOKWANDIKA MU BIBANZA VY'IYANDIKIRO (UI) |
|---|---|---|---|---|
| 1 | BURURI | 71 | 114 | 310 |
| 2 | MAKAMBA | 93 | 159 | 490 |
| 3 | MATANA | 63 | 85 | 288 |
| 4 | MUSONGATI | 90 | 127 | 382 |
| 5 | NYANZA | 82 | 129 | 473 |
| 6 | RUMONGE | 69 | 168 | 569 |
| 7 | RUTANA | 78 | 106 | 301 |
| | TOTAL | 546 | 888 | 2 813 |

5

## Ibibanza n'ibiro vy'iyandikiro mu ntara yagutse ya BUTANYERERA

| N° | KOMINE | IGITIGIRI C'IMITUMBA/ AMAKARTIYE | IGITIGIRI C'IBIBANZA VY'IYANDIKIRO (CI) | IGITIGIRI C'ABAZOKWANDIKA MU BIBANZA VY'IYANDIKIRO (UI) |
|---|---|---|---|---|
| 1 | BUSONI | 86 | 96 | 437 |
| 2 | KAYANZA | 111 | 117 | 436 |
| 3 | KIREMBA | 100 | 100 | 367 |
| 4 | KIRUNDO | 140 | 148 | 578 |
| 5 | MATONGO | 89 | 98 | 368 |
| 6 | MUHANGA | 81 | 83 | 311 |
| 7 | NGOZI | 92 | 100 | 424 |
| 8 | TANGARA | 91 | 100 | 348 |
| | TOTAL | 790 | 842 | 3 269 |

6

## ITUNGANYWA RY'IBIBANZA VY'IYANDIKIRO MU NTARA ZIGIZE UBURUNDI, MU NTUMBERO Y'AMATORA YA 2025

### Ibibanza n'ibiro vy'iyandikiro mu ntara yagutse ya GITEGA

| N° | KOMINE | IGITIGIRI C'IMITUMBA/AMAKARTIYE. | IGITIGIRI C'IBIBANZA VY'IYANDIKIRO (CI) | IGITIGIRI C'ABAZOKWANDIKA MU BIBANZA VY'IYANDIKIRO (UI) |
|---|---|---|---|---|
| 1 | BUGENDANA | 43 | 80 | 308 |
| 2 | GISHUBI | 101 | 128 | 353 |
| 3 | GITEGA | 124 | 192 | 691 |
| 4 | KARUSI | 98 | 136 | 479 |
| 5 | KIGANDA | 49 | 71 | 226 |
| 6 | MURAMVYA | 45 | 69 | 255 |
| 7 | MWARO | 67 | 85 | 246 |
| 8 | NYABIHANGA | 73 | 92 | 270 |
| 9 | SHOMBO | 64 | 84 | 327 |
| | TOTAL | 664 | 937 | 3 155 |

## IMPFUNYAPFUNYO Y'IVYEGERANYO VY'IBIBANZA N'IBIRO VY'IYANDIKIRO MU NTUMBERO Y'AMATORA YO MU 2025

| N° | INTARA NSHASHA | IGITIGIRI C'KOMINE | IGITIGIRI C'IMITUMBA/AMAKARTIYE | IGITIGIRI C'IBIBANZA VY'IYANDIKIRO (CI) | IGITIGIRI C'ABAZOKWANDIKA MU BIBANZA VY'IYANDIKIRO (UI) |
|---|---|---|---|---|---|
| 1 | BUHUMUZA | 7 | 509 | 618 | 2 298 |
| 2 | BUJUMBURA | 11 | 535 | 961 | 4 098 |
| 3 | BURUNGA | 7 | 546 | 888 | 2 813 |
| 4 | BUTANYERERA | 8 | 790 | 842 | 3 269 |
| 5 | GITEGA | 9 | 664 | 937 | 3 155 |
| | TOTAL | 42 | 3 044 | 4 246 | 15 633 |

# Uburenganzira bwo gucirirwa urubanza mu gihe gitoyi

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo gucirirwa urubanza mu gihe gitoyi. N'aho umuntu aba yakoze icaha ubu burenganzira bwo gucirirwa urubanza mu gihe gitoyi arabugumana.



Ariko rero, n'aho umuntu afise ubu burenganzira, ibiringo vy'ingene urubanza rutohozwa n'ingene ruburanishwa bitegerezwa kwubahirizwa kuko amatohoza arakenewe, uwitwariwe ategerezwa kuronswa igihe c'ukwiregura, n'ibindi vyose vya nkenerwa muri urwo rubanza.

Birashika rero ko uwikekwako icaha apfungwa mu gihe c'amatohoza kandi naho nyene amategeko yarategekanije igihe umuntu ategerezwa kumara apfunzwe icamaso canke apfunzwe ivy'agateganyo.

Uburenganzira bwo gucirirwa urubanza mu gihe gitoyi butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubu burenganzira.**

Amategeko mpuzamakungu atandukanye arategekanya uburenganzira bwo gucirirwa urubanza mu gihe gitoyi.

Muri ayo mategeko mpuzamakungu tuja kwisunga ibiri mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu, mu masezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana, mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu hamwe n'ibiri mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka n'ukubaho neza kw'abana.

*a) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'aba-ntu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu.*

Umuntu yafashwe ku mvo z'amatohoza arafise uburenganzira bwo kumenyeshwa ivyo yagirizwa mu gihe gitoyi.

Bitegekanijwe n'ingingo y'9 ivuga ko umuntu wese yafashwe ategerezwa kumenyeshwa muri ico gihe nyene, ibituma vyo guhagarikwa kwiwe yongere amanyeshwe mu gihe atari kirekire ico yagirizwa n'icaha kimwagira.

Uwagirizwa icaha arafise uburenganzira bwo gucirirwa urubanza mu gihe gitoyi. Tubisanga mu ngingo ya 14 mu gace ka 3 urudome c) kavuga ko umuntu wese yagirijwe icaha afise uburenganzira co kimwe n'abandi bose bwo gucirirwa urubanza bidatevye.

*b) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana*

Abana bapfunzwe nabo nyene barafise uburenganzira bwo gucirirwa urubanza mu gihe gitoyi. Bitegekanijwe n'ingingo ya 37 mu gace kayo ka 4 kavuga ko abana bapfunzwe bafise uburenganzira bwo kuronswa bidatevye abababuranira canke ubundi bufasha bakeneye, nko kugenzura ko bapfunzwe bikurikijwe amategeko kandi bagacirirwa urubanza bidatevye.

*c) Mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu*

Umuntu yakoze icaha arafise uburenganzira bwo gucirirwa urubanza mu gihe gitoyi.

Bitegekanijwe muri aya masezerano mu ngingo yayo y'7 mu gace kayo ka 1 ku rudome d) ivuga ko uwagirizwa icaha afise uburenganzira bwo gucirirwa urubanza na sentare ataho yegamiye kandi mu gihe gitoyi.

*d) Mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka n'ukubaho neza kw'abana.*

Umwana yikekwako icaha arafise uburenganzira bwo gucirirwa urubanza mu gihe gitoyi gishoboka.

Tubisanga mu ngingo ya 17 mu gace kayo ka 2 ku rudome c) iv) aho kavuga ko umwana yagirizwa icaha akwiye gucirirwa urubanza na sentare ataho yegamiye mu gihe gitoyi gishoboka kandi arafise uburenganzira bwo kwunguruza urubanza mu gihe adashimye ingingo ya sentare.

Nk'uko duhejeje kubibo-

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bwo gucirirwa urubanza mu gihe gitoyi

(Bitangurira ku rup.10)

na, amategeko mpuzamakungu arategekanya ko umuntu afise uburenganzira bwo gucirirwa urubanza mu gihe gitoyi. N'amategeko y'igihugu c'Uburundi ni uko nyene.

**2. Ingene amategeko y'igihugu ategekanya ubwo burenganzira.**

Mu mategeko y'igihugu, tuja kwisunga ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro n'ibiri mw'ibwirizwa n°1/09 ryo ku wa 11 rusama 2018 risubiramwo igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa.

*a) Mw'Ibwirizwa Shingiro.*



Ingingo ya 19 irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu bwashize ko umukono harimwo amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu, mu masezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana, mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu hamwe n'ibiri mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka n'ukubaho neza kw'abana.

Ni ukuvuga ko ivyavuzwe muri ayo mategeko bijanye n'ubwo burenganzira vyinjijwe mu mategeko n'amabwirizwa y'Uburundi.

Umuntu n'aho aba yakoze icaha arafise uburenganzira bwo kwumvirizwa n'ugucirirwa urubanza mu gihe gitoyi. Bitegekanijwe n'ingingo ya 38 ivuga iti : "Umuntu wese, mu rubanza rumwerekeye canke rwo mu ntwaro, arafise uburenganzira bwo kwumvirizwa bikwiye ata karenganyo kandi agacirwa urubanza mu gihe gikwiye, cumvikana."

*b) Mw'ibwirizwa n°1/09 ryo ku wa 11 rusama 2018 risubiramwo igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa.*

Umuntu apfunzwe ivy'agateganyo na we nyene arafise uburenganzira bwo gucirirwa urubanza mu gihe gitoyi.

Tubisanga mu ngingo y'159 ivuga ko ingingo y'umucamanza igumiza mw'ibohero uwuriko arakurikiranwa ataracibwa urubanza, imara iminsi mirongo itatu umunsi ishingwa uharuwemwo.

Ico kiringo giheze kirashobora kuja kirongerwako ikindi kiringo c'ukwezi igihe cose biboza bikenewe ku neza y'igihugu hakurikijwe imvo zishemeye.



Uwagirizwa icaha arafise uburenganzira bwo gucirirwa urubanza mu gihe gitoyi mu gihe yunguruje kubw'ingingo yafashwe yo kumupfunga ivy'agateganyo kandi uwutavyubahirije arahanwa mu gihe adatanze imvo zabiteye.

Bitegekanijwe n'ingingo y'175 mu gace kayo ka mbere ivuga ko umucamanza wa sentare y'iyungururizo ashikirijwe ivy'urwo rubanza, nta zindi manza aburanisha ibirwerekeye bidaheze kandi ategerezwa gushinga ingingo mu minsi 15 yuzuye ikurikirana kuva iyo ngingo yo kwunguruza urubanza ifashwe, bitabaye ivyo arahanwa.

Uwaciriwe igihano mu rubanza rwaciwe impaga aragumana uburenganzira bwo gucirirwa urubanza mu gihe gitoyi iyo yunguruje kubera atashimye ingingo yafashwe na sentare.

Tubisanga mu ngingo ya 314 ivuga ko uwaciriwe igihano mu rubanza ruciwe impaga arashobora gusaba sentare yaruciye kurusubiramwo mu kiringo c'iminsi mirongo itatu ikurikira iminsi yarumenyesherejweko.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko uwagirizwa icaha afise uburenganzira bwo gucirirwa urubanza na sentare ataho yegamiye kandi mu gihe gitoyi.

Twabonye kandi ko naho umuntu afise uburenganzira bwo gucirirwa urubanza mu gihe gitoyi, ibiringo vy'ingene urubanza ruto-hozwa n'ingene ruburanishwa bitegerezwa kwubahirizwa.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Inama nsangizagendo y'Abepisikopi yaraye irangiye



Kuva ku wa 2 gushika ku wa 27 Gitugutu 2024 i Vatikano , hariko harabera igice kigira kabiri c'inama nsangizagendo y'Abepisikopi Katolika bo kw'isi yose. Integuro yiyo nama yatanguye muri Nyakanga 2021, mu mwaka wi 2022, iyo nama ikaba yariko irabera mu ma Ekleziya y'ibihugu vyose, muri Nyakanga gushika muri Ntwarante 2023 iyo nama yabereye mu ma Ekleziya yo ku migabane y'isi mu ntumbero yo gutegura ihwaniro rya mbere ry'Abepisikopi i Vatikano ryabaye muri Gitugutu 2023.

Ku wa 26 Gitugutu 2024, niho abari muri iyo nama bashira umukono ku cegeranyo civyo bashitseko, Nyenubweranda akaba yarabamenyesheje ko atarundi rwandiko ruheraheza iyo nama azosohora, baca barashira ahabona urwo basizeko umukono.

***Ico cegeranyo kivuga iki?***

Hambavu y'intangamarara, ico cegeranyo kigizwe n'ibice bitanu:

- Umutima w'inama nsangizangendo
- Twese mu bwato bwa Petero mweranda
- Kubw'ijambo ryawe
- Ndaterera urusenga
- Na jewe ndabarungitse.

Mu ntangamarara bise « Inguma ziwe ziguma ziva amaraso ». Iyo ntangamarara yerekana kamere k'inama nsangizagendo y'Abepisikopi Katolika nk'uburyo bwo guhura n'Imana, Yezu yazutse ubu ari muzima. Mw'ijoro rya Pentekote, Yezu yiyeretse abigishwa biwe. Nabo baremeza ko babonye ibimenyetso vy'inguma ziwe. Iki gihe ca none, kubera ibicumuro vyacu za nguma ziwe ziguma ziva amaraso muri benewacu na basazabacu babara cane.

Mu gice ca mbere c'ico cegeranyo « Umutima w'inama nsangizagendo» cerekana ingene bahuje ivyiyumviro mu kubona ko Ekleziya ari igihugu c'Imana ikongera ikaba ikimenyetso c'ubumwe bw'abemera Yezu Kristu. Muri iyi myaka y'integuro yiyo nama nsangizagendo y'Abepisikopi,, barategereye icipfuzo Ekleziya ifise co kwegera abantu, kugiriranira imigenderanire myiza n'abandi ko biyigira Ekleziya muryango. Iyo nama yatumye Ekleziya itambukira hamwe n'abantu bose mu mwakaka w'umuco wa Kristu.

Mu gice ca kabiri « twese mu bwato bwa Petero mweranda » Ekleziya ihamagariwe gutunganya neza imigenderanire myiza hagati y'abantu, mu miryango no mu mibano y'abakristu bose, imigenderanire hagati y'amadini.

Iyo migenderanire ikaba ishingiye ku Mana. Iyo migenderanire kandi, ntiyosiga inyuma abantu bose babaye ibicibwa. Iyo migenderanire yofatira aka-rorero ku migenderanire iri hagati ya Data na Mwana muri Mutima Mweranda. Ariko baravye amarira n'imyidogo y'abagore, abalayiki n'abihebeyimana yibonekeje mu nteguro yiyo nama biragarara ko ugutambukira hamwe bitari bishimishije.

Mu gice ca gatatu «kw'ijambo ryawe Mukama » iyo nama yerekana ko mu gisabisho n'imigenderanire myiza hagati y'abantu bigaragaza ko abantu bategereye ugushishoza kw'Ekleziya, uruhara rwo gufata ingingo umuntu abanje kwiyumvira neza, ugufata ingingo yo kwisuzuma ku ngingo umuntu yiha ko arivyo bituma ijambo ashikirije ryerekana inzira nziza yo gukora ubutumwa.

Mu gice ca kane « ndatera urusenga» inama nsangizagendo irerekana akamaro k'ubumwe butegerezwa kuranga Abepisiskopi bo kw'isi yose na Papa.

Ivyo bituma bamwe bose aho bari bamisha iyo migenderanire n'ubutumwa barangura. Iyo nama yasavye ko abajejwe ibisata bitandukanye vya Papa, ata ngingo bosohora batabanje kuyereka Abepisikopi kugira ari ivyo bahinyanura babigirire hamwe.

Mu gice ca gatanu « na jewe ndabarungitse » kugira igihugu ceranda c'Imana gishobore gushingira intahe akanyamuneza k'inkuru nziza, mu gushikira igikuriro co gutambukira hamwe; kirakeneye guhabwa inyigisho.

Izo nyigisho zikaba izibashikana ku mwidegemvyo w'abana b'Imana bakurikira Yezu Kristu bahwana nabo mu gisabisho no mu bantu bahebwe.

Mu mpera yico cegeranyo, baratuye igisabisho Bikira Mariya bamuhereza ivyo bashitseko muri iyo nama ngo abakandire kwa Yezu Umwana wiwe bizoshobore kuranguka neza.

*M S V Marie Goreth Ndikumana*